
# Bibiliya y'Abana
## Ishikirije

# Yesu Ahaza Abantu 5000



Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Janie Forest; Alastair Paterson

Itunganywa na: Ruth Klassen

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique

Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org


©2024 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.



Abakuru beshi b'idini (bitwa abafarisayo) babeshera Yesu. Bamwe muri bo baragerageza no kumwica. Ntibizera ko vy'ukuri ari Umwana w'Imana. Ntibashobora kumwemera n'aho yakora ibitangaza vyemeza ko ari Umwana w'Imana.



Umusi umwe, Yesu ajabuka ikiyaga c'i Galilaya. Birashoboka ko yashaka gufata akaruhuko gatoyi kubw'igugu ry'abantu bamukurikira. Ariko abo bantu bamusangayo. Bari bazi ko Yesu yakora ibitangaza bikomeye. Bashaka kubana nawe.




3

Yesu ajana abigishwa biwe k'umusozi wari m'ubugaragwa abicarikaho arabigisha. Abantu beshi barahashika. Hagira hagere isaha yo gufungura. Umuntu wese yari ashonje.




4

Yesu yitegereza igugu ry'abantu. Abaza Filipo ati: "Tugura hehe imikate, kugira ngo abo bantu baronke ivyo bafungura?" Muri ako karere ntarudandazwa rwari ruhari. Mbega Yesu yari afise umugambi uwuhe?




5

Filipo aramwishura ati: "Ivyo vyodutwara amafaranga meshi kugira dushobore kugaburira iri gugu ry'abantu." Yesu n'abigishwa biwe ntamahera meshi bari bafise.




6



Uwundi mwigishwa, Andereya, umuvukanyi wa Simoni Petero abarira Yesu ati: "Aha hariho umwana w'umuhungu afise imikate itanu n'ifi zibiri, …"


7

"… ariko ivyo bimaze iki kubantu bangana gutya?" Andereya ntiyabona ingene izo mfungurwa z'uwo mwana w'umuhungu zari gushobora guhaza abantu bangana gutyo-n'aho uwo muhungu yari gushobora kwemera guha Yesu izo mfungurwa ziwe.



8

Yesu aravuga ati: “Nimwicarike abantu.” Abantu baricara, bari nk’ibihumbi bitanu. Ego! IBIHUMBI BITANU! Kuri abo ni ukwongerako abagore n’abana bari bari ngaho.




9

Yesu aca yakira iyo mikate n’izo fi. Uwo muhungu yategerezwa kugirira Yesu icizere. Ntiyatahura ico Yesu agira akoreshe ivyo bifungurwa vyiwe. Yarashobora kwiyumvira ati: “Ninaha Yesu izi mfungurwa zanje, sinza gusubira kuronka ivyo mfungura.” Ariko abiha Yesu.




10

Maze Yesu arasenga. Ashimira Imana. Kumikate itanu n’udufi tubiri? Ego! Yesu avuga ati: “Urakoze Mana”, kandi ayisaba guhezagira izo mfungurwa.




11

Ahejeje gusenga, Yesu amanyagura imikate n’ifi abiha abigishwa kugira ngo babigaburire abantu. Bose baraba ico gitangaza Yesu akoze. Umwe wese afungura uko abishaka. Barasigaza imikate n’ifi.




12

Bose bamaze guheza gufungura, harasigaye imikate n’amafi. Yesu abarira abigishwa ati: “Ni mwegeranye ibimanyu bisigaye, kugira ngo ntihagire igipfa ubusa.” Buzuza ibiseke cumi na bibiri ivyasigaye kuri yamikate itanu vyasigaye kuvyo bafunguye.




13

Uwo musi, Yesu agaburira abantu barenga 5000 akoresheje utwokurya dukeyi cane tw’umwana w’umuhungu. Ikindi gihe ahaza abantu 4000 akoresheje imikate indwi n’udufi dukeyi.



14

Abantu babonye ivyo bimenyetso, ntibifata nk'abafarisayo. Oya, baciye bavuga bati: "Ni ivy'ukuri ni Umuvugishwa n'Imana akwiye kuza mw'isi." Bari bazi ko Yesu ari Umukiza uwo ukuza kwiwe kwari kwarasezeranwe mw'ijambo ry'Imana.





Yesu Ahaza Abantu 5000

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Yohana 6

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130



# Iherezo

51 60



Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16